
Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Umwami W'ifyeli W'igipfu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Lyn Doerksen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Samweli, umucamanza n'umurongozi w'ab'isirayeli yari ashaje. Aca atoranya abahungu biwe ngo babe abacamanza ba isirayeli, kugira ngo bamusubirire mugikorwa c'Imana. Ariko abahungu ba samweli bari inkozi z'ikibi. Barakunda amahera kandi bakoresha ubushobozi bafise kugira ngo bironkere ubutunzi munzira atari nziza.




Ab'isirayeli bagira ivyago kubera abo bahungu babiri b'inkozi z'ikibi.  Abantu bategerezwa kuriha abahungu ba samweli igihe cose babisavye.



3


Hari ikintu cagira kibe.  Umusi umwe, abakuru b'ab'isirayeli barakorana hanyuma basaba Samweli ko yobafasha.  Baramusaba bati: "Duhe umwami atuganze" Ntibari bagishaka ko abahungu biwe baba abacamanza babo.  Bashaka umwami, nk'uko ibihugu bibakikije vyari bifise abami.



4

Samweli aca arashavura.  Isirayeli yari isanzwe ifise umwami!  Imana nyenubushobozi, Uhoraho niwe yarongora isirayeli.  Hari haheze igihe yarabakuye m'ubuja muri Egiputa, Iciye inzira mukiyaga gitukura kugira ngo bajabuke.


5




Munyuma Imana yari yahaye Isirayeli igihugu ciza cane.

6

Samweli amaze gusenga, Imana imubwira iti: "Ntibanse wewe, ni jewe banse, kugira ngo sinshobore kubaganza.  Bakoreye izindi mana. Umviriza ijwi ryabo, ubahe umwami."



7




Imana isaba samweli kugabisha abantu ko umwami wabo wo kw'isi azobanyaga amahera biciye mumatagisi, azokoresha imirima yabo myiza y'inzabibu, azokwandika abahungu babo abashire mungabo ziwe kandi azokoresha abakobwa babo mubikorwa vyiwe.


8



Umuvinyu w'i Bwami
Ariko abantu bashaka umwami vyanka bikunda.
Kwigira Kure
9


Imana irongorera samweli k'umugabo akiri muto, w'ifyeli, atinya cane abantu, kandi muto. Akiri muto afise umutwe nk'uwundi muntu. Izina ryiwe yari Sawuli. Samweli abonye sawuli, Uhoraho aramubarira ati: "Uwo niwe azoganza abantu banje."
10



Yumvira Imana, samweli asiga amavuta sawuli umwami wa isirayeli. Amaze gushikiriza sawuli ab'isirayeli, bavuza akamo, bati: "Nyaguhoraho mwami!!"
11


Vuba na vuba sawuli aba mubigeragezo. Abanyamu-noni, banka isirayeli, bakikiza igisagara ca isirayeli, kandi bashaka kunogora ijisho ry'i buryo ry'umugabo wese. Mbega umugambi mubi!! Iyo nkuru mbi ishikira umwami sawuli aca ategura ingabo ziwe.
12


Izo ngabo zibiri zimaze guhura, sawuli anesha abanyamowabo akiza igisagara. Umwami sawuli aha icubahiro Imana, aravuga ati: "… uyu musi Uhoraho yabohoye ab'isirayeli!"
13



Imana iha sawuli intsinzi ikomeye uwo musi. Ariko sawuli ntiyubaha Imana imisi yose. Umusi umwe, imbere y'uko intambara itangura hagati ya we n'abafilisitiya, sawuli ashikanira Imana ikimazi. Yari azi ko ico ari igikorwa ca Samweli. Yari azi ko Imana yashaka ko sawuli arindira gushika aho samweli aza akabikora. Ariko sawuli ntiyumvira Imana!!
14

Samweli amaze gushika, abarira sawuli ati: “Wakoze nk’umuntu w’igipfu. Ntiwubashe itegeko ry’Umwami Imana yawe. None rero, inganji yawe ntizorama.”



15

Sawuli arashobora kuba yari yiyumviriye ko ico ari icaha gitoyi. Ariko kutumvira Imana vyama bifatwa nka ma.



16


Ikindi gihe, Imana itegeka sawuli guhonya abantu b'inkozi z'ikibi b’abamaleki. Ariko sawuli n’abantu biwe bareka kwica agagi, umwami w’abamaleki.



Aziguriza kandi intama nziza nziza n’impfizi nziza nziza. Sawuli avuga ko yabiretse kugira ngo abishikanire Imana.

17

Samweli abarira sawuli ati: “Kwumvira kuruta ibimazi. Wataye ijambo ry’Uhoraho, kandi nawe Uhoraho aragutaye, kugira ngo ntube ukibaye umwami wa Isirayeli.” Sawuli yicuza ababaye icaha ciwe, ariko vyari vyaheze. Iherezo ry’ubuzima bwiwe ryabaye iribabaje, kuko atumviye Uhoraho.



18

Umwami W’ifyeli W’igipfu


Inkuru ivuye mw’Ijambo ry’Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

1 Samweli 8-16

“Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge.” Zaburi 119:130

19




18 60

20

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16